Washington State Department of Social & Health Services
ESA Economic Services Administration

Ibaruwa igena uwashinzwe igikorwa ryanditswe n'urwego (DCS)
Ugutomora neza Igisabo

Itariki Inomero y'umukiriya:

Kuri:

Mushingantahe/Mupfasoni ,

Mwarashikirije Igisabo hanyuma mwongera mubwira Ibiro vy'Igihugu vy'Igihugu vyo bijejwe akazi mu karere kanyu ko mudashobora gufasha urwego DCS (Division of Child Support, Igisata kijejwe gushigikira abana) gutororkanya ubufasha ku bana n'/canke ku bijanye n'ubuvuzi. Urwego DCS kirakora ibikorwa vyose bijanye n'ugufasha uko bikwiye iyo uronse ubufasha buvuye mu mugambi TANF (Temporary Assistance for Needy Families, Umugambi wa Reta wo gufasha imiryango ifise amikoro make). Ivyo bikorwa bishobora kubamwo ivy'urwego rwa DCS mu kurondeza se w'umwana, kwinjira no/canke gushimangira itegeko ryo gufasha, gushimangira izindi nshingano z'umuvyeyi zo gutanga amwe mu mafaranga akenewe mu bwishingizi mu bijanye n'ubuvuzi no gutanga umugabane wiwe w'amahera mu buvuzi atagira ubwishingizi bw'abana bawe. Nashize ku ruhande umusi ukurikira kugira ngo tuganire nawe ku bijanye n'ivyo usaba ku bijanye n'Igisabo co guhagarika ibikorwa vyose vyo gufasha abana n'ubuvuzi.

Nashize ku ruhande umusi ukurikira kugira ngo tuganire nawe ku bijanye n'ivyo usaba ku bijanye n'Igisabo co guhagarika ibikorwa vyose vyo gufasha abana n'ubuvuzi.

IKIBANZA ITALIKI AMASAHA

Mu gihe bitabakundiye ko mwiyizira, murashobora kuduhamagara kuri _____ muciye _____. **Niwaba utahamagaye canke ngo uze aho ku musi wahawe, ndashobora kwanka ivyo usavye ku bijanye n'Igisabo.**

Nzokwemeza ivyo iki Gisabo kivuga nivyatomorwa neza:

- Utinya ko wewe canke umwana canke abana uriko uritwararika bazogirirwa nabi cane ku mubiri canke mu mutima.
- Umwana wawe yavutse biturutse ku gufatwa ku nguvu canke gusambana hagati y'abasangiye umuryango.
- Waratanguye ibijanye n'intambuko iganisha ku kuzezwa indero y'abana, canke uri mu mpanuro (mu kiringo gishika amezi atatu) hamwe n'ishirahamwe ryitaho kurungika abana mu miryango barererwamwo ku bijanye no kurera abana.

Mu gihe c'uguhura, urashobora kwandika inyandiko yashizweko umukono idondora ivyo wibaza n'ivyo utinya. Ushobora kandi kuzana ayandi makuru yo kwunganira ivyo usavye, mu gihe asanzwe ahari. Uturore tumwe ni nk':

- Icegeranyo catanzwe n'inyamiramabi;
- Iceheranyo co kwa muganga;
- Icegeranyo ca sentare;
- Itegeko ryo gukingira amabi abera mu rugo;
- Ikete ryanditswe n'abakuru b'idini, abagenzi, incuti, ababanyi, abo bakorana ridondora akaga;
- Ikete rivuye mu bigo vyakira abahunze amabi abera mu rugo; canke
- Ikete rivuye ku mujanama canke abajanama bakurikiranira hafi ibijanye n'amabi abera mu rugo.

None kuri uyu musi w'umubonano bigenda gute?

- Uzoshobora gusigura igituma utinya ko gutorokanya ivyofasha abana hamwe n'abavuzi bishobora kugutera ingorane canke umwana wawe canke abana bawe.
- Turashobora kuvugana ku vyerekeye iyindi mfashanyo woba ukeneye kugira ngo ugume utekanye.

Bigenda gute iyo utatanze urupapuro ruriko rufise uwaruteyeko umukono canke ayandi makuru yerekana igituma gutororokanya ivyofasha abana hamwe n'abavuzi bishobora kukugirira nabi canke umwana wawe canke abana bawe?

- Ivyo usaba birashobora kutemerwa mu gihe tutabonye ko imvo zatanzwe zihuye n'ibisabwa vyotuma Igisabo cawe gihabwa agaciro kandi
- Ikibazo cawe kizorungikwa rwego DCS kugira ngo hatanguzwe nyezina ivyo gushimangira ibikorwa vyo gufasha abana mu buryo bwuzuye.
- Hariho uwusanzwe yitaho ibijanye n'amabi akorerwa mu ngo mu rwego rwa CSO (Community Service Office, Ibiro vy'akarere bijejwe akazi) rwo mu karere uherereyemwo canke mu kibano aho ubaye yoshobora kuboneka kugira ngo aze muri uwo nama dufitaniye nawe. Baza mu rwego rwa CSO yo mu karere uherereyemwo kugira uronke ibindi bisobanuro.

Bite ho nimba utemeranya n'ingingo twafashe?

1. Ushobora guhamagara mu Biro vy'Igihugu bijejwe akazi vy'aho uherereye canke ukandikira Ibiro vy'Ubutegetsi bijejwe kwumviriza abenegihugu, PO Box 42489, Olympia WA 98504-2489 mu misi 90 kugira ngo usabe ko kwumvirizwa. Iyo usavye ko urubanza rwumvirizwa, urwego DCS ntiruzotangura kwiga ikibazo cawe gushika ingingo yo kukwumviriza

ibaye ntabanduka. Umuvugizi canke uwundi muntu arashobora kuguserukira mu rubanza, canke nawe ushobora kwiserukira.

2. Gukuraho ivyo wasavye mu bijanye n'umugambi TANF. Ariko rero, urwego rwa DCS rurashobora kwakira ikibazo cawe mu gihe waronse imfashanyo yo mu mugambi TANF.
3. Bandanya uronka imfashanyo kandi ntugire uruhara mu bikorwa vyo gushigikira mu bijanye n'ibikorwa vyo gushimangira. Ariko rero, mu gihe utagize uruhara mu bikorwa vyo gushigikira mu bijanye no gushimangira ibikorwa vy'urwego rwa DCS izobandanya ikora urubanza rwawe kandi imfashanyo yawe y'amahera ishobora kugabanywa n'ibice 25% mu gihe ibigize Igisabo cawe bitakiriwe.
   Umucamanza canke uwundi muntu wewe wahisemwo arashobora kuguserukira mu rubanza, canke nawe ubwawe ugashobora kwiserukira.

Mbega vyokunda ko uronka impanuro canke ikiganiro mu bijanye n'amategeko?

Ushobora guhamagara kuri terefone abajejwe ibijanye n'amategeko mu gihugu cose kuri 1-888-201-1014.